ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU « ITEKA »


# ICEGERANYO C'INDWI "Iteka n'Ijambo"

Uwo uri wese ubahirizwa

## N° 503 kuva kuwa 01-07 Kigarama 2025

*Ryemejwe n'itegeko shikiranganji inomero 530/0273 ryo kuwa 10 Munyonyo 1994 risubiramwo itegeko nomero 550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma 1991*

***ICEGERANYOC'INDWI « ITEKA N'IJAMBO» n°503 c'ishirshamwe ryo mu Burundi riharanira agateka ka zina muntu «ITEKA»***






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka,yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 7 Kigarama 2025, abantu bashika 848 babuzwe irengero nibo ishirahamwe iteka ryatohoje,n'imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 761 ntibaraboneka.Umugwi w'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ukorera ku manyuruzwa(GTDFI) umaze kumenyesha Reta yuBurundi nimiburiburi abashika 252.***

[1] https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54

**Ishirahamwe ITEKA :**

- *Ni umunywanyi w' ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu, ni umunywani akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),*
- *rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.*
- *Umuhari Iteka ugizwe n'Inani mpuzamashirahamwe 17 ku Ntara hamwe 'ibisata 32*

## *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| ***BBN*** | *: Inyubakwa ijejwe gusuzuma akanovera k'ibidandazwa* |
| ***CAMEBU*** | *: Ikigo gitanga imiti n'ibikoresho vyo guima ingwara mu Burundi* |
| ***CDS*** | *: Ikigo citaho amagara y'abantu* |
| ***CNDD-FDD*** | *: Ihuriro ry'igihugu riharanira intwaro rusangi-urunani rukingira intwaro rusangi* |
| ***DCE*** | *: Ubuyobozi bw'indero mw'ikomine* |
| ***DPE*** | *: Ubuyobozi bw'indero mu ntara* |
| ***ECOFO*** | *: Ishure shingiro* |
| ***FARDC*** | *: Igisirikare ca Repuburika iharanira intwaro rusangi ya Kongo* |
| ***FDNB*** | *: Igisirikare ca Repuburika y'u Burundi* |
| ***FDLR*** | *: Urunani ruharanira intwaro rusangi yo kubohoza u Rwanda* |
| ***FOMI*** | *: Ishirahamwe rikora umwavu w'ikizungu* |
| ***M23*** | *:Umuhari wo ku wa 23 Ntwarante* |
| ***OMS*** | *: Ishirahamwe ryitaho amagara y'abantu kw'isi yose* |
| ***OPJ*** | *: Inyamiramabi* |
| ***RDC*** | *: Repuburika iharanira intwaro rusangi muri Kongo* |
| ***REGIDESO*** | *: Ikigo kijejwe gukwiragiza amazi* |
| ***RN*** | *: Ibarabara ry'igihugu* |
| ***SNR*** | *: Igendereza ry'igihugu* |
| ***UNICEF*** | *: Ikigega c'ibihugu vyunze ubumwe citaho abana* |

**Urutonde rw'ibirimwo** **Urupapuro**


*0. INTANGAMARARA……………………………………………………………………….1*

*I. UMWIHWEZO……………………………………………………………………………1*

*I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE.....................................................................................1*

*I.2. ISHUSHO Y'UMUTEKANO……………………………………………………………7*

*I.3.ISHUSHO Y'UBUTUNGANE…………………………………………………………7*

*1.4.U MWIHWEZO W'INTWARO IBEREYE………………………………………………7*

*I.5.ISHUSHO Y'IBIDUKIKIJE……………………………………………………………8*

*II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE……………………………9*

*II.1. UBURENGA NZIRA KU BUZIMA……………………………………………………..9*

*II.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE……………………………………………………………9*

*II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA.........................................9*

*II.1.1.2. IBIZIGA VYATOWE…………………………………………………………………9*

*II.1.1.3. UKUNYURUZWA HAMWE NO KUBURWA IRENGERO……………………..10*

*II.2.U GUSHIKIRANA KU MUTIMA NO KU MUBIRI……………………………………..10*

*II.2.1.U GUFATAKUNGUVU……………………………………………………………………10*

*II.3.U BURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO……………………………………………...11*

*II.3.1.U GUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO……………………………...11*

*III.UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI N'IMIC KAMA……………………………12*

*III.1.U BURENGANZIRA KU MAGARA…………………………………………………12*

*III.2.U BURENGANZIRA BW'INDERO……………………………………………………...12*

*IV.UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA……………………………………………………...13*

## 0. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo cerekana inyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi mu ndwi yo kuva kw'igenekerezo rya 1-7 Kigarama 2025. Muri iki cegeranyo, umuhari iteka urihweza kandi ishusho ya politike, umutekano, ubutungane, intwaro ibereye hamwe n'ibidukikije. Kiranihweza ibintu vyerekana ihonyangwa ry'agateka k'abantu no muri politike, mu butunzi, imibano hamwe n'imico kama.

Amabi ku gateka ka zina muntu yabonetse kandi yatohojwe n'umuhari Iteka yifashe ugukwirikira muri iki kiringo : n'imiburiburi abantu 4 barishwe harimwo 3 batowe ibiziga, 4 barafashwe ku nguvu ari abana b'imyaka iri musi ya 18, umuntu 1 yaranyurujwe uwundi arahagarikwa hadakwirikijwe amategeko. Muri abo bakorewe amabi, harimwo umwana yatowe ikiziga.

Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD, abakorera igendereza, abapolisi hamwe n'abo mu ntwaro baragirizwa kuba ahanini aribo bikekwako ayo mabi y'ihonyanga ry'agateka ka zina muntu.

## I. UMWIHWEZO

### I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE

***Ukwitaba k'umukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye mw'ihuriro ryo gushira imikono ku masezerano hagati y'umukuru w'igihugu c'uRwanda na n'uwa Kongo i Washington***

Umukuru w'igihugu c'uBurundi, Evariste Ndayishimiye, yaritavye ihuriro ryo gushira imikono ku masezerano hagati ya Repuburika iharanira intwaro rusangi ya Kongo hamwe n'uRwanda, yabereye i Washington ku wa 4 Kigarama 2025. Ico gikorwa, categuwe n'umukuru w'igihugu ca Amerika Donald Trump, cerekana impinduka ikomeye mu kurondera amahoro mu karere k'ibiyaga binini.

Umukuru w'igihugu Ndayishimiye yarashigikiwe na mugenziwe wa Kongo, Felix Tshisekedi, buca itegeko rishigwako umukono, kugira bavugane kubijanye n'umutekano mu karere hamwe n'intambamyi zijanye no gutsimbataza amahoro mu karere. Abo bakuru b'ibihugu 2 barrmanze ko biyemeje gutsimbataza amahoro n'imigenderanire mu karere.

Amasezerano y'i Washington arimwo kwiyemeza ingingo ngenderwako, isezerano ry'amahoro hamwe no gushigikirana mu vy'ubutunzi mu karere, bigamije kurandurana n'imizi ibihe vy'uruhagarara rw'ubwicanyi hagati ya Congo n'uRwanda. Umukuru w'igihugu c'uRwanda, Paul Kagame, yise ayo masezerano "urupapuro rw'inzira ruboneka cane kandi rw'agaciro gusumvya izindi zose", mugihe umukuru w'igihugu ca Kongo, Felix Tshisekedi, yashimitse ku kamaro k'amasezerano yashizweko umukono muri kahise.

***Inkurikizi ku buhombe buremereye bw'igisirikare c'uBurundi muri Kongo : itegeko rya gisirikare ryo guhamba muhira iwe umusirikare yiciwe mu ntambara muri Kongo ni rimwe mu yandi menshi***

Kuwa 10 Munyonyo 2025, ku mutumba hamwe na zone Makebuko, komine n'intara ya Gitega. Astere Gahungu, afise imyaka 35, umusirikare w'uBurundi yiciwe mu ntambara muri Kongo, yarahambwe muhira iwe kw'itegeko rya Gisirikare.

Kubwo amasoko yaho, ikiziga c'uwo musirikare, bari bagishize mu buruhukiro bw'ibitaro vy'abasirikare hanyuma umuryango wiwe uronka itegeko ryo kugikurayo vyihuta kandi bamuhambe kw'itongo iwabo. Gutyo, ikiziga cahambwe imbere y'inzu iwe.

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 1)*

Ikibazo kiri kw'iteka ryahora rihabwa umusirikare mugihe co guhambwa kubera hari ibirori bitandukanye bijanye n'uwo mugirwa n'uko Astere Gahungu yoba yarabikorewe mugihe yahambwe muhira iwe.Hari ibihe n'ikiziga kidatwarwa mu gihugu.Twomenyesha ko kw'itegeko ryatanzwe, ntibishoboka ko haba icubahiro ca gisirikare.

### *Ikiganiro c'abamenyeshamakuru categuwe n'ibiro vy'umukuru w'igihugu mu Burundi*

Kuwa 1/12/2025, ibiro vy'umukuru w'igihugu vyari vyateguye ikiganiro c'abanyagihugu aho abamenyeshamakuru benshi bari batumiwe.

Kuri uwo musi, umukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye yaragarutse ku bintu bikomeye vyo muri politike y'uBurundi. Kubwo abari batumiwe muri ico kiganiro ca politike, nta gishasha, kuko ibibazo vy'inyungu za bose nk'amahera y'agaciro, igitoro, icikagurika ry'amatara hamwe n'amazi,ntivyavuzwe.

Kubwo abarorerezi benshi bigenga,ico kiganiro kiri mu bindi biganiro vyabose bimaze gukorwa n'umukuru w'igihugu aho ibibazo biraba inyungu za bose hamwe n'agateka ka zina mutu bihebwa ibigirankana.

Nk'akarorero, mugihe c'ikiganiro, umukuru w'igihugu yarahamagaye abamenyeshamakuru bapfungiwe mu mabohero atandukanye gusaba ikigongwe ku mugaragaro. Mugihe bamwe muribo, bapfunzwe kuvyo bagirizwa bifise intumbero ya politike, nko kuvyerekeye umumenyeshamakuru Sandra Muhoza, umumenyeshamakuru wa "La NOVA".

Twomenya ko ikiganiro cari gifise intumbero imwe gusa yo kwumvisha abanyagihgu ku bindi bibazo nk'intambara yo mu buseruko bwa Kongo, iyugarwa ry'urubibe hagati y'uRwanda n'uBurundi, n'inindi.

### *Agashavu k'abanyagihugu kubera iterabwoba ry'abarongozi mui komine Nyabihanga, intara ya Gitega*

Mu yahoze ari intara ya Mwaro,abantu bo mu mazone hamwe n'imitumba igize ikomine ya Nyabihanga, intara ya Gitega, baridogera kubona babashira mu bikorwa vyinshi bitegurwa n'abatwara komine hamwe n'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD.

Kubwo amakuru yatororokanijwe muri bamwe bo muribo, baremeza ko ibikorwa, kenshi na kenshi vyo kw'itegeko bikababuza gutunganya ivyo ugutunganya ivyubuzima bwa misi yose.

Benshi muri abo bahaba bavuga ko baruhishijwe n'ibikorwa baguma babategeka. Badomako urutoke abarongozi mu ntwaro hamwe n'abaramutswa umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD, babategeka kwitaba ibikorwa vyinshi ataco bibungura kundwi kundwi.

Kubwo intahe z'umwe mu bahaba, kundwi kundwi, imisi 3 ikwiye yagenewe ibikorwa. Nk'akarorero ku wambere hategekanijwe akarangamutima k'umugambwe CNDD-FDD, ku wa kane ibikorwa vyo guca imikobeko hamwe no ku wa gatandatu ibikorwa rusangi harimwo kurima imirima ya zone, komine canke umugambwe uri ku butegetsi.

Kuri ivyo hiyongerako umusi w'igisabisho, uwakane wanyuma wa buri kwezi aho bahamagariwe guhamva abandi Bagumyabanga.

Muri make, barabinegura kubera bibabuza gukora ibirwa vyabo vya misi yose vyungura imiryango yabo. Basaba abarongozi bo mu ntwaro guhagarika ihohoterwa bakorerwa n'Imbonerakure.

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 3)*

***Ishira mungiro ry'itegeko rishasha rigenga itunganywa gushasha ry'intwaro muri komine iguma ari ingorane muri komine Butaganzwa, mu ntara ya Buhumuza***

Kuva hashizweho inzego zishasha inyuma y'amatora yo kuwa 5 Ruheshi iheruka hakurikijwe indinganizo nshasha,

ikurikirana rishasha, uburongozi muri komine butunganijwe ugukwirikira :

**Indinganizo y'intwaro muri komine**

1. Musitanteri
2. umunyamabanga mshingwabikorwa
3. Umuhanuzi mu vya politike
4. Umuhanuzi ajejwe ivy'ubutungane
5. Umuhanuzi ajejwe ivyo ubutunzi hamwe n'imibano n'imice kama
6. Umuhanuzi ajejwe ivyo gutumatumanako

**Ibisata (bifatiwe ku bushikiranganji)**

1. Igisata c'indero
2. Igisata c'amagara
3. Igisata kijejwe uburimyi, ubworozi hamwe n'ibidukikije
4. Igisata c'intwaro mu gihugu
5. Igisata c'itunganywa hamwe n'ikwirikiranwa ibikorwa
6. Igisata kijejwe ugutunganya amatongo
7. Igisata c'ivyo inyubako
8. Igisato c'inzira, amabarabara hamwe no gutumatumanako
9. Igisata c'amazi n'amasoko ntanganguvu
10. Igisata co gushigikirana no kunganisha iabutsina
11. Igisata co kwiyungunganya, urudandazwa hamwe n'amahinguriro

Muri makomine yose y'intara ya Buhumuza, izo nzego zarashizweho havuyemwo komine Butaganzwa.Muri

iyo komine, bashizeho urwego rurongoye komine ariko ku bisata, icindero conyene kirakora, ibindi bisata ntibirakora kubera atabategetsi bavuka muri iyo komine. Twomenyesha ko intara ya Buhumuza ifise amakomine 7 ariyo : Butaganzwa-Butihinda-Cankuzo-Gisagara-Gisuru-Muyinga-Ruyigi.

## *I.2. ISHUSHO Y'UMUTEKANO*

***Ikiziga catowe muri komine Kirundo, mu ntara ya Butanyerera***

Kuwa 2/12/2025, ku mutumba Kiri,zone Kiri,komine Kirundo, intara ya Butanyerera, amasaso yarumvikanye mu kiyaga Cohoha, ikiyaga gihuza uBurundi n'uRwanda. Ku wa 3//12/2025, vyarabonetse ko abaroovyi bakomoka mu Rwanda vyababangamiye. Ikiziga caratowe ku nkengera y'ikiyaga kandi uwurongoye ikirindiro c'ako karere yaremeje ko ariwe yamwishe. Yasiguye ko abo barovyi barenganye urubibe baca barashamirana. Ariho bivunye mukurasa, bihitana umwe muri abo barovyi. Twomenya ko uwo mukuru w'ikirindiro Eric yari yarakoze nk'ivyo iNyakarama, umutumba wo muri iyo zone nyene. Abatware b'uBurundintaco babivuzeko kandi abarongoye ikiyaga muRwanda baraje gutora ikiziga c'uwitavye Imana.

### *I.2. ISHUSHO Y'UMUTEKANO (Ibikurikira urupapuro 3)*

***Umukenyezi w'umwigisha yakubiswe n'umuvyeyi hamwe n'umuvukanyi b'umunyeshure kw'ishure shingiro Rutumo 2, zone Minago, komine Rumonge, intara Burunga***

Kuwa 1/12/2025, Yvette Nduwimana, umwigisha kw'ishure shingiro Rutumo 2, zone Minago,omine Rumonge, intara ya Burunga, yarafashwe nabi kandi arakubitwa n'umuvyeyi n'uwo bavukana n'umunyeshure wo kuri iryo shure bitwa Raphaël Minani na Gérard Nyandwi.

Uwakubiswe yaratwawe ku bitaro vy'iMagara aho yagumijwe mu bitaro kubera amahiri n'ibikomere yakomerekejwe na Raphaël Minani na Gérard Nyandwi.

Kubwo abavyiboneye, uwo mwigisha yari yaje ku kigo c'amagara y'abantu cigenga ca Rutumo gusuhuza umunyeshure yavunitse ukuboko mu mwanya wo gukina igihe yariko arakina n'abandi ku kibuga c'ishure. Ni uwo mwigisha nyene yari yaratwaye uwo mwana yakomeretse gushika muhira ku bavyeyi biwe imbere yo kumujana kuri ico kigo c'ubuvuzi.

Kubwo abigisha bamwe bamwe bo kuri iryo shure,uwo yakubiswe yariko arigisha mw'ishure uwo mwana yigamwo igihe yakomereka ariko abavyeyi bibajije ko umwana wabo yakomerekejwe n'uwo mwigisha. Baramurengeyeko imbere y'ico kigo c'amagara y'abantu, baramukubita, baramumaramaza imbere y'abanyagihugu b'aho hantu. Umuyobozi w'iryo shure Gerard Ntibamumpaye arababazwa n'uko abavyeyi bamwe bamwe batubaha abarezi. Asaba ko abo bavyeyi 2 bohagarikwa bose bagashirwa mu butungane. Amasoko yo mu gipolisi avuga ko Raphaël Minani yamaze gufatwa. Apfungiwe mw'ibohero rya zone Minago kuva ku wa gatatu haheze. Gérard Nyandwi uwamufashije ikibi ari mu kinyegero, ariko araronderwa n'igipolisi.

***Umwigishwa yakubaguwe muri komine Gitega intara ya Gitega***

Kuwa 05/12/2025, kw'ishure shingiro ryitiriwe umweranda Marie Assumpta rya Bumuri, komine n'intara ya Gitega, Jeanne Souavis Hakizimana, umwigisha kw'ishure shingiro rya Janja, muri komine n'intara ya Gitega yarakubaguwe n'abanyeshure mugihe yari yagiye kuri iryo shure mu ntumbero yo gucungera ikibazo categuwe ku rwego rwa zone.

Amasoko ava kuri iryo shure Bumuri avuga ko mugihe uwo mwigisha yari ku kibaho ariko yandika ibibazo bikorwa, yaratewe umupira w'umubangano incuro 3 kandi bawumutera ku mutwe uciye mw'idirisha.

Mu gihe yari asohotse kugira abigize inyuma kubera badurumbanya ikorwa ry'ikibazo, ivyabona vyacu vyari Bihari bimenyesha ko umwigisha Jeanne Souavis Hakizimana yasunuwe agaca agwa hasi, akubitwa n'abanyeshure 10 hanyuma arakomereka ku mavi no ku maboko na terefone ngendanwa yiwe irononekara.

Nepomucene Ndayavugwa aramutswa indero muri komine Gitega aremeza ayo makuru kandi asigura ko ategekanya kugirisha inama mundwi iza kugira ukuri kumenyekane.

Abarezi bakorera muri kmine Gitega basaba ko abo banyeshure, bakoze ako kabi k'ububegito bohanwa bimwe vy'akarorero hakurikijwe amategeko agenga amashure.

***Ubwoba buriganje ku mitumba y 'uBurundi kubera amasaso menshi ku rubibe rwa Kongo n'uBurundi***

Kuva kuwa 2/12/2025, uruhagarara rwariyongereye ku rubibe rw'uBurundi na Kongo. Ingwano zihuza umuhari wo ku wa 23 Ndamukiza n'abasirikare ba Kongo,bafashwa n'imigwi Wazalendo, urunani ruharanira intwaro rusangi hamwe no kubohoza uRwanda be na banwe mu bo mu gisirikare c'uBurundi, zarumvikanye mu mitumba yegereye uruzi Rusizi, bishira abahaba mu bwoba bw'abarwanyi babashwara.

## *I.2. ISHUSHO Y'UMUTEKANO (Ibikurikira urupapuro 4)*

Mu burere bwa Kongo muri Gatogota, Luvungi na Kamanyola, amasasu menshi hamwe n'amabome vyarakwirikiranye. Mu Rukan ana Mparambo,komine Cibitoke, imiryango irakekeranya kuja mu mirima. "Ibintu birahindagurika, duhitamwo kuguma muhira", bimenyeshwa n'umurimyi. Kubwo ivyabona vyinshi, n'imiburiburi ibigendajuru 3 vyatewe biva Kamanyola vyoba vyaraguye ku gataka k'uBurundi, mu karere ka Gatki, awo vyahitanye canke ico vyononye kivugwa.

Mu kwivuna, abasirikare b'uBurundi bari ku birindiro bihanamiye Bwegera boba barashe batumbereza Kamanyola, bashikira amazon ari ku birometero 15.

Muri uw mwanya,inkurikizi mbi kubantu ziragwiriye. Abateshejwe izabo muri kongo barondera kujabuka Rusizi kugira baronke ubuhungiro mu Burundi barankiwe gose. Imbonerakure n'abasirikare b'uBurundi baracunga imbibe, bagatuma imiryango myinshi irara iranyagirwa, kubera batagira aho bugama canke uruhusha rwo kwinjira.

« Turafise ubwoba bwo gupfira aho,tureke turengane », bisabwa n'umuvyeyi w'umuryango yari ku nkengera y'uruzi.

Uruhande rw'abarundi, abanyagihugu barerekana ko batabitahura : mugihe amajambo amenyesha imishikirano y'ibihugu hamwe n'intambwe zikomeye ku mahoro, abahaba ahubwo babona imishamirano yiyongera. Benshi bahamagarira guhagarika intambara, bafise amakenga ko akaga kajabuka urubibe.

Mu kurindira igitero,agacerere agahengwe karanyegeza amakenga agwiriye ku mitumba ya Cibitoke.

### *Igitero c'ibombe cateye ubwoba mu Cibitoke mu ntara ya Bujumbura*

Hafi igihe c'isaha 4 zo ku wa 5/12/2025, ibombe ivuye muri Kongo yaraguye muri komine Cibitoke, ku mugwa mu kuru w zone Rugombo, ku nkengera y'uruzi Nyakagunda, umutumba Mparambo mu ntara ya Bujumbura. Iyo bombe yakomerekeje abana 2, umwe yakomeretse cane ku kuguru uyundi munda,yarononye kandi imirima y'ibiharage hamwe n'iyo ibitke.

Ababa canecane mu Cibitoke bari mu ruhagarara kubera ingwano hagati y'igisirikare ca kongo n'umuhari wo kuwa 23 hamwe n'ibomborabombora ry'ibirwanisho bumva mu kiyaya ca Rusizi.

Basaba abarwana kwumvikana kugira indwano zihagarare. Abarongozi bo mu ntwaro hamwe n'abo umutekanobasaba abanyagihugu kwirinda kugira imirwi, gukoranira hamwe.

ku rubuga rwiwe rutavuzwe,umushikiranganji w'imigenderanire n'inindi bihugu Eduard Bizimana yagirije inyeshamba za AFC M23 zirwanira muri Kongo yise umugwi w'iterabwoba kuba aribo bakoze ico gitero. Eduard Bizimana atomora ko akaronderano nk'ako katokwemerwa kandi ko ibikorwa bijanye bizokorwa mu ntumbero yo gukingira abanyagihugu bo mu Burundi.

### *Intara ya Bujumbura iri mu kangaratete kubera amatati muri Kivu yo mu bumanuko*

Kuva kuwa 30/11/2025, mu bumanuko bwa Kivu ikibiri ca FARDC-FDNB- Wazalendo-Imbonerakure-FDLR carakozweko na M23 mu ngwano zikomeye ziriko zibera mu karere ka Ngweshe,muri Walungu,mu migwi Kamanyola na Walungu.

Ni ku wa 2/12/2025 aho i ngwano zahindura umurindi aho amabombe menshi yatangura gukubita ubwo burere hamwe n'amakomine Cibitokena Mugina yo mu Ntara Bujumbura, bigatera ubwoba bwahungabanije ubuzima bw'abarimyi mu mirima yaboku mutumba Rukana wa komine Cibitoke na Camakombe ya komine Mugina, kubera iyo mitumba iri hafi y'imbibe z'uBurundi, Kongo n'uRwanda. Amasoko yaho avuga ko ikirindiro c'abasirikare kiri mu Rukana kirimwo ibikoho binini bikoreshwa mu gutumbereza mu gace ka Kamanyola, urubuga nyamukuru rw'inrwano kubera ariho aba M23 bari.

## *I.2. ISHUSHO Y'UMUTEKANO (Ibikurikira urupapuro 5)*

Kuri uwo musi nyene, hirya y'urubibe rw'uBurundi n'uRwanda, uvuye muri zone Ruziba mu Ruhororo uciye mu ma zone ya Nyamakarabo na Rubona, abasirikare bunganira baratanguye kuhashika. Bavuye mu ntara ya mbere ya gisirikare hamwe n'abavuye ku birindiro vyo mu Kibira ahavugwa abarwanyi bari mu mwambaro wa FDN bavuga iKinyarwanda, baratonze ku Ruhwa igabura u Rwanda n'u Burundi hamwe no ku Rusizi rugabura u Burundi na Kongo kugira barwanye FDN bayegereye igitero ca M23 ifashwa n'u Rwanda.

Kuwa 3/12/2025, babonye ko agace ka Luvungi gashobora guhurirana n'intambwe ikmeye ya M23 ku rugamba rwo mu kiyaya ca Rusizi, ikindi gikoho rutura carashizwe iruhande ya Rusizi ku mutumba Karurama kugira gitere uburere bwa Rubarika, Katogota na Luvungi.

Iruhande y'abakomeretse 2, ku wa 5 Kigarama mu Rugombo, umutumba Mparambo inyuma y'aho ikibombe OBUS kivuye muri Kongo kigwiriye ku mashure hamwe n'isoko ryugaye, ukwivanga k'u Burundi muri ayo matati bizogira izindi nkurikizi zikomeye z'imibano n'ubutunzi ku banyagihugu, canecane bakozweko kubera ubu,ntibaja kurima, Ibiza vyiyongera kw'ibura ry'imvura hamwe n'umwavu w'ikizungu bishobora gutera ikigoyi kiboneka ku gice kinini c'intara ya Bujumbura.

Abanyagihugu bo mu makomine ya Cibitoke na Mugina basaba Reta ko yova muri ayo matati ashobora gukwegera akarambaraye uBurundi, hamwe yogumaho.

### *Isakwa ryakozwe n'igipolisi muri komine Karusi, intara ya Gitega*

- Mu gitondo co ku wa 1/12//2025, hafi igihe c'isaha 12 zo mu gitondo, igipolisi ca zone Buhiga, komine Karusi, intara ya Gitega, carakoze isaka ryasabwe n'uwutwara ikirindiro hamwe n'inyamiramabi yitwa Daniel Ngendakumana. Iryo saka ryakozwe mu kazu k'ubudandarizo k'uwitwa Christophe Nduwayo, umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD, afise imyaka irenga 35, ku mutumba Rwingoma, zone Buhiga, komine Karusi, intara ya Gitega. Bamwikeka ko adandaza bidaciye mu mategeko ibidanzazwa vy'ishirahamwe FOMI(9 umwavu w'ikizungu) ariko nta kilo na kimwe bahasanze.
- Kuri uwo musi nyene, hafi isaha 7, ku mutumba Buhiga, karatiye Gatare, ico gipolisi nyene carasatse umukenyezi yitwa Sandrine Nimpaye, umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD, afise imyaka 25 kandi kubera ico gipolisi cari gifise amakuru, bahasanze ikinyobwa kibujijwe n'amategeko citwa UMUNANASI ariko mukeya (ama litiro 4 gusa). Amasoko yaho amenyesha ko wari uwasigaye kubera yari yaraye awugurishije kuwa 30/11/2025.Yari afise ako kageso ko gutegura akongera akagurisha mumpisho kandi boba ari abo bahiganwa mu rudandazwa bamureze, kuvyo ababanyi bavuga.

### *Abarundi benshi bariko basubira iwabo bava muri Tanzaniya*

Inkuru umuhari Iteka warose kuwa 6/12/2025 ivuga ko kubera umutekano muke uri muri Repubulika yiyunze ya Tanzaniya bivuye ku myiyerekano y'urutavanako yabonetse muri iyi misi iheze mu ntumbero yo kwiyamiriza amatora y'umukuru w'igihugu, hariboneka umurindi munini w'abarundi bari muri ico gihugu, bariko bataha kubera ubwoba ku mutekano wabo. Benshi muri abo Barundi bataha ni abari bagiye muri Tanzaniya,mu ntumbero yo kurondera akazi nk'abakora mu mirima.

Ivyo biboneka cane ku mbibe z'uBurundi na Tanzaniya nko ku mbibe zo mu Gisuru-Gasenyi (muri komine Gisagara) hamwe na Gahumo (iyahoze ari komine Mishiha).

## *I.2. ISHUSHO Y'UMUTEKANO (Ibikurikira urupapuro 6)*

Kubwo amasoko yacu, muri Tanzaniya, hari ibihuha bihuhura ko kuwa 9 Kigarama, umusi wo guhimbaza isabukuru y'ukwikukira kw'igihugu, imyiyerekano izoba ikaze cane kuri uwo musi. Kubwo ayo masoko nyene, abo Barundi bashika ku mbibe barushe, kubera bategerezwa kugenda harehare n'amaguru. Benshi muri bo bataha batagira amahera kubera batagira umwanya wo kuja gusaba impembo yabo ku bakoresha babo.

## *I.3.ISHUSHO Y'UBUTUNGANE*

### *Abacamanza 3 basaba gusubizwa muri sentare nkuru ya Bururi mu ntara ya Burunga*

Leonard Nizigiyimana, Antoine Ngendakumana na Irene Mukeshimana, bose abacamanza bo muri sentare nkuru ya Bururi bari bapfungiwe mw'ibobero rya Bururi kuva kuwa 16/8/2023 bagirizwa na parake yegereye sentare ihamagaza imanza iBururi ko bafashe ingingo yo kubohora vy'impata kibanza abapfungwa 8 bakurikiranwa ku bwicanyi hakoreshejwe umupanga mu kwezi kwa Rusama 2023 muri komine Bururi. Abo bacamanza baruhiye gutsinda urubanza kandi bararekuwe kuwa 22 Gitugutu 2024. Baridoga ko bandikiye amabaruwa menshi umushikiranganji w'ubutungane kugira basabe gusubizwa ku kazi ariko gushika ubu (umwaka wose barekuwe) atakivamwo. Bavuga ko ubu bari mu bukene buzura inzara mu miryango yabo kandi basaba kandi umushikiranganji w'ubutungane ko borenganurwa.

### *Umwigisha yagiriwe n'icaha co kugerageza gufata ku nguvu yahanishijwe umunyororo w'imyaka 3 mu Cibitoke mu ntara ya Bujumbura*

Kuwa 2/12/2025, sentare nkuru ya Cibitoke yahanishije umunyororo w'imyaka 3 Jean Bosco Bukuru, umwigisha kw'ishure rikuru ry'imyuga ryo mu Cibitoke, ku caha co kugerageza gufata kunguvu umwe mu banyeshure biwe, yitwa Sandrine Ndacayisaba, yiga kuri iryo shure.

Urubanza, rwamaze amasaha 3, rwaragize akamaro kaboneka. Abavyeyi, abaharanira agateka k'umukenyezi hamwe n'aberwa n'ugukingira abana barakwirikiranye bitonze imburano. Jean Bosco Bukuru yaranarishe amahera y'urubanza.

Abandi bantu 2 bakurikiranwa kubera ukwivanga muri urwo rubanza nyene bafashwe ugutandukanye. Nicaise Niyogusenga yahanishijwe ihadabu ry'amahera angana na 100.000fbu, mugihe Isaac Ntirampeba yejejwe.

Ingingo barayishimye,abarorerezi benshi bafata n'aho biri uko ko igihano kiguma kidashimije bihweje uburemere bw'icaha. Bahamagarira gukomeza ibihano hamwe no kwirukana burundu uwo mwigisha mu gisata c'indero, kugira abanyeshure baronke umutekano.

## *1.4.U MWIHWEZO W'INTWARO IBEREYE*

### *Uguterera buri kwezi mu mugambwe CNDD-FDD, muri komine Ruyigi, intara ya Buhumuza*

Muri komine Ruyigi, intara ya Buhumuza, mw'itangazo ryo kuwa 1/12/2025, ryashizwe ahabona n'ubuyobozi nw'ishure rikuru Light and Life ry'iButezi, ubuyobozi bw'indero muri komine Ruyigi, mu buyobozi bw'indero bw'intara Buhumuza, abakozi bazoriha buri kwezi intererano y'umugambwe CNDD-FDD.

### *1.4.U MWIHWEZO W'INTWARO IBEREYE (Ibikurikira urupapuro 7)*

Kubwo iryo tangazo,kuva ku mushahara w'ukwezi kwa Munyonyo 2025, abakozi b'iryo shure rikuru bazoriha buri kwezi intererano nk'uko bisabwa n'uwurongoye indero muri komine Ruyigi kandi hakurikijwe icicaro c'uwo muntu uku gukwirikira :

1. Umuyobozi: 10 000 fbu
2. Umuyobozi w'ivyigwa : 5 000 fbu
3. Umuyobozi w'indero : 5000 fbu
4. Uwujejwe ubutunzi : 5 000 fbu
5. Umunyamabanga : 2 000 fbu
6. Uwuraba ibitabo : 2 000 fbu
7. Uwukwirikirana indero : 2 000 fbu
8. Abigisha : 2 000 fbu
9. Uwujejwe isuku : 1 000 fbu
10. Uwurarira : 1 000 fbu

Abo mu gikoni : 1 000 fbu

Ivyo biraba abakora kuri iryo shure bose kugira ntibabinube nk'abagwanya ubutegetsi, ni ukuvuga yaba umunywanyi wa CNDD-FDD canke atariwe, abwirizwa kuriha.

### *I.5. ISHUSHO Y'IBIDUKIKIJE*

#### *Uruzuba rwatumye umwimbu uba mubi muri komine Kirundo, intara ya Butanyerera*

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 6/12/2025 ivuga ko kuva mu kwezi kwa Munyonyo 2025, imvura yarabuze.Kubwo amakuru dukurayo, abarimyi barageragejе kurima imirima bongere batere ibiterwa bitandukanye ariko uruzuba rwaratwaye ibiterwa. Ikigoyi carateye intara ya Kirundo yose. Abantu bamwe bariko barondera ivyangombwa vyo gutembera (nka karangamuntu) kugira baje muri Tanzaniye bashobore kugaburira imiryango. Umwimbu w'uyu mwaka w'irima ntaco uzomara kubwo abahaba nyene. Ivyo bizotera ubusuma mu mazu be no mu mirima. Ata mfashanyo zitanzwe na Reta hamwe n'abandi bagiraneza, ubwicanyi buzokwibonekeza kandi ingwara zivuye ku gufungura nabi zizokwiyongera.

#### *Uruzuba rwarononye umwimbu mu makomine menshi mu ntara ya Gitega*

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 6/12/2025 ivuga ko kuva imvura itasura, abarimyi bo mu makomine atandukanye y'intara ya Gitega bari batanguye kurima imirima yabo bizigiye ko hazoboneka imvura. Bamwe mbere bari batanguye gutera ibiharage.

Kuva mu ntango z' ukwezi kwa Ruheshi gushika mu ntango z'ukwezi kwa Kigarama 2025, uruzuba rwaratse aho amababi y'ibiharage yamaze kugwa ayandi agasa n'ibara ry'umuhondo.

Abarimyi benshi baridogera iki gihe c'uruzuba mugihe bariko bararwanya ibura ry'umwavu basanzwe bita "TOTAHAZA". Basaba Reta kubashigikira mu kubaronsa umwavu wa FOMI ariko kandi mugushiraho ubuhinga bwa kijambere bwo kuvomera iyo imvura yabuze. Ivyo bikazobafasha kurwanya ikizuba hamwe no kuduza umwimbu.

## II.1.U BURENGANZIRA KU BUZIMA

### II.1.1.U BWICANYI BUTEGUYE

#### II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABATARAMENYEKANA

***Umuntu umwe yarahitanywe n'ibikomere vyiwe muri komine Musongati, intara ya Burunga***

Kuwa 5/11/2025, ku mutumba Muzye, komine Musongati, intara ya Burunga, Antoine Tegeka, afise imyaka 47, yarakomerekejwe n'abantu bataramenyekana kandi yarishwe n'ivyo bikomere vyiwe. Kubwo amasoko yaho, Antoine Tegeka yatowe yaravye kandi yakomerekejwe hafi isaha 3 z'ijoro, mw'ibarabara asubiye mu hira, ku gacimbiri Rusunu, kuri uwo mutumba aca arajanwa ku bitaro vy'igihofi. Mu ruhanga,hari igikomere kinini icerekana ko yari yakomerekejwe n'ikintu gikarishe. Yashitse ku bitaro yamaze gucikana. Kubwo ayo masoko nyene, Leonidas Kabura, Imbonerakure yatahanye n'uwo yishwe, bavuye mu bunywero buri hafi y'iwe aho adandariza inyama, yarahagaritswe aca apfungirwa muri komisariya ya polisi iGiharo, kumvo z'amatohoza.

#### II.1.1.2. IBIZIGA VYATOWE

***Ikiziga c'umusore catowe ku mutumba Kizingoma, komine Makamba, intara ya Burunga***

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 4/12/2025 ivuga ko ikiziga c'umusore afise imyaka 25 azwi kw'izina rya Doris caratowe ku gitondo co kuwa 11/11/2025 mu rupangu iwe. Umuryango wiwe uvuga ko yoba yaranizwe n'abataramenyekana kubera ikiziga gifise ibikomere mu maso kandi basaba amatohoza kuri ubwo bwicanyi. Musitanteri wa komine Makamba Prosper Bizimana avuga ko yahamagaye vyihuta, umugwi w'abaganga kugira baze kubiraba ntibatanga icavuyemwo kandi ntibatanze idonido. Abanyagihugu b'iMakamba basaba ko umutekano wokomezwa kandi hafatwe abagizi ba nabi.

***Ikiziga catowe muri komine n'intara ya Gitega***

Kuwa 3/12/2025, ku mutumba Higiro, komine n'intara ya Gitega, ikiziga c'umusore, Jules Ndayikeza, afise imyaka 28, caratowe munzu iwe. Kubwo ivyabona vyaho, uwo yapfuye yari amanitse kw'ikoma ry'inzu.

Uwutwara umutumba Higiro ariwe Sixte Niyimbona aravyemeza agaca avuga ariko ko uko yapfuye bitaramenyekana, yibaza ko ashobora kuba yiyahuye.

Ariko rero, abahaba bibaza ko Jules Ndayisenga yiciwe ahandi imbere yo kumanikwa kugira bemeze ko ari ukwiyahura. Ivyabona bimwe bimwe biranazi ko zishobora kuba imvo zijanye n' amatati yo mu miryango.

***Ikiziga c'umwana catowe muri komine Ngozi, intara ya Butanyerera***

Ku wa 1/12/2025, muri karatiye Vyegwa, komine Ngozi, intara ya Butanyerera, ikiziga ca Ineza Dorian Charbel, afise imyaka 4, caratowe gica kirahambwa n'abakozi b'umuhari utabara imbabare "croix rouge". Kubwo ivyabona vyaho, ikiziga c'uwo mwana yari umunyeshure mw'ishure shingiro **"Future**"riri muri karatiye Kinyami,komine Ngozi, cari caraboze cane.Kubwo ivyo vyabona nyene,ako gahungu kari kabuzwe irengero kuva kuwa 25/11/2025 mugihe yari yagiye

### II.1.1.2. IBIZIGA VYATOWE (Ibikurikira urupapuro 9)

kw'ishure nk'uko vyahora kandi yari yitahanye umusi aburwa irengero. Abamwishe cokimwe n'ingene yishwe ntibiramenyekana.

### II.1.1.3. UKUNYURUZWA HAMWE NO KUBURWA IRENGERO

**Umuntu umwe yaranyurujwe muri komine Cankuzo intara ya Buhumuza**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 4/12/2025, ivuga ko haciye hafi indwi,muri komine Cankuzo, intara ya Buhumuza, Madjariwa, umugabo afise imyaka yababa 63, agendesha imodoka yiwe yo mubwoko bwa PROBOX, anyurujwe n'abantu bambaye umwambaro w'igipolisi. Majariwa aba muri karatiye Ndava, mu gisagara hagati ca Cankuzo, mu ntara ya Buhumuza,yanyurujwe n'abantu 3 bambaye umwambaro w'igipolisi bafise ingendeshwa y'ivyumba 2 yeraitagira imparati, neza na neza ku gituro c'imodoka z'unguruza ingenzi.

Kubwo amasoko yaho,bamwinjije kunguvu muri iyo ngendeshwa kandi abo bantu bikekwa ko ari abakozi b'igendereza ry'igihugu. Ingendeshwa y'uwo yagize ivyago yaciye umuntu yambaye ibisanzwe atazwi mu karare kandi ahari iyo ngendeshwa ntihazwi. Ntanumwe azi aho uwo mugabo yoba ari, ko yoba apfunzwe canke ko yoba akiraho.

### II.2.U GUSHIKIRANA KU MUTIMA NO KU MUBIRI

### II.2.1.U GUFATAKUNGUVU

**Umukobwa yafashwe ku nguvu ku mutumba Rango,komine Muhanga intara ya Butanyerera**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 2/12/2025 ivuga ko kuwa 20/12/2025, umukobwa muto yitwa I.A., afise imyaka 6, yarafashwe ku nguvu na Juvenal Kazokura, afise imyaka 72. Abavyeyi b'umwana ni abigisha kandi uwikekwako icaha akaba umubanyi w'uwo muryango w'uwafashwe ku nguvu yikitse mu kiza abavyeyi atariho bari bari ku kazi ka Reta aca amutwara iwe amwemereye igitumbura.

Ashitse muhira hafi isaha 11, nyina w'umwana yarabonye ko umukobwa wiwe adafise amagara meza hanyuma umwana ariganira nyina wiwe ivyabaye. Umuvyeyi yaciye ataka abajejwe intwaro ngaho kandi uwabikoze yaciye acungererwa n'Imbonerakure. Ku wa 21/11/2025, uwikekwako icaha hamwe n'uwagikorewe barajanywe ku bitaro vy'iMutaho kandi igipimo ca muganga caremeje ugufatwa kunguvu, uwabikoze apfungiwe mw'ibohero rikuru ry'iNgozi.

**Umukobwa umwe yarafashwe ku nguvu muri komine Mugere, intara ya Bujumbura**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 03/12/2025 ivuga ko kuwa 26/11/2025, ku mutumba Ramba, muri komine Mugere, intara ya Bujumbura, L.N, afise imyaka 15,umunyeshure wo mu mwaka w'7 kw'ishure shingiro Nyamugari, yarafashwe ku nguvu na Jean Marie Ndarurinze, yubatse akaba se w'abana 4, ku mutumba Ramba, muri komine Mugere, intara ya Bujumbura.

Kubwo amasoko yaho, Jean Marie Ndarurinze, atwara abarovyi, yoba ubwambere yamukwegakweze mu kumwemerera amahera angana na 5.000fbu.Amaze kumuha uwo muhango, yaciye amutumira ngo aze gutora amahera muhira iwe. Naririya ata n'umwe yari ahari igihe yahashika, yoba yaciye yikika mu kiza akora iryo bara.

Umwana yararose ubufasha mu bitaro vy'akarere vya Kabezi kugira akingirwe ibigwara vyandukira biciye mu bihimba vy'irondoka hanyuma kuvyerekeye uwikekwa ko icaha, apfungiwe muri komisariya ya komine Mugere.

### *II.2.1.U GUFATAKUNGUVU (Ibikurikira urupapuro 10)*

#### *Umukobwa umwe yarafashwe ku nguvu muri komine Mugere intara ya Bujumbura*

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 5/12/2025 ivuga ko kuwa 2/11/2025, hafi isaha 4, ku mutumba Masama, komine Mugere, intara ya Bujumbura, umukobwa yitwa A.D., afise imyaka 11, atagira abavyeyi, yarafashwe ku nguvu na Dieudonné Mpfayokurera, afise imyaka 32.

Mu bisanzwe,umwana hamwe na muvyarawe baba iwe hanyuma yaciye yikika mu kiza atabandi bari muhira kugira akore ibara. Yarageragejе gutera ubwoba uwakorewe icaha kugira ntamuvuge ariko yaruhiye kwigana ivyabaye. Uwagize ivyago yararose ubufasha bwose bukenewe ku kigo c'ubuvuzi Masama kandi uwakoze icaha arapfunzwe mw'ibohero rya komine Mugere kugira akurikiranwe n'ubutungane.

#### *Umukobwa umwe yarafashwe ku nguvu, komine Isare, intara ya Bujumbura*

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 5/12/2025 ivuga ko kuwa 29/11/2025, ku mutumba hamwe na zone Mubimbi, komine Isare intara ya Bujumbura, umuyabaga yitwa D.I., afise imyaka 15 akaba umunyeshure mu mwaka w'8 kw'ishure shingiro Mubimbi, yarafashwe ku nguvu n'umwigisha yitwa Jean Pierre Bayaguburundi, yubatse.

Kubwo amasoko yaho, vyabereye ahantu uwo mwigisha yororera inkoko kuri uwo mutumba nyene kandi yakoresheje inguvu ziwe. Umuyabaga yararonse ubufasha ku bitaro vyo mu Rushubi, mugihe uwikekwako icaha yahunze.

### *II.3.U BURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO*

### *II.3.1.U GUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*

#### *Umugabo umwe yarahagaritswe muri komine Ngozi,intara ya Butanyerera*

Cyprien Sindayihebura kuva kuwa 2/12/2025, ari mw'ibohero ry'igendereza ry'igihugu i Ngozi, muri komine Ngozi,intara ya Butanyerera. Uwo mugabo yakora ku rubibe rw'uBurundi na Tanzaniya rw'iKobero nk'umugenduzi w'isuku.Kubwo abo mu muryango wiwe,yarankiye kwinjira mu Burundi ibikoresho vy'isuku bivuye mu mahanga, ibidandazwa vy'umucuruza atubahiriza amategeko y'ikigo kibijejwe(BBN). Uwo mucuruza izina ryiwe ritaramenyekana ashaka vyanke bikunde ko ivyo bidandazwa birengana gushika aho aha igiturire igendereza ry'igihugu. ivyo Cyprien Sindayihebura atemera. Amakuru ava iKobero, iyo miti iracari iKobero. Imbere yo guhagarikwa, kubwo abo mu muryango, yarahamagawe kuri terefone na Marc Manirakiza bita Posheni, uwujejwe ubutunzi i Ngozi yoba nawe nyene akorera igendereza mu buraruko bw'uBurundi.Ni we nyene yahamagaye kuri terefone umumenyeshamakuru Sandra Muhoza apfunzwe kuva kuwa 18/4/2024.

Abo mu muryango wa Cyprien Sindayihebura bafise amakenga ku mutekano wiwe kandi basaba abarongozi babijejwe gukora igishoboka cose kugira babohore uwabo apfunzwe ku karenganyo.

## III. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA

### III.1.U BURENGANZIRA KU MAGARA

***Uruhagarara rw'irandagata rya korera ku rubibe rwose rwa komine Nyanza na Rumonge mu ntara ya Burunga***

Kuwa 6/12/2025, inama yo hejuru ku kiza ca korera yarakoranye inyuma y'umutaga muri komine Nyanza, intara ya Burunga, yuguruwe n'umuwishikira kwa buramatari, hari umushikiranganji w'amagara y'abantu hamwe n'abegwa n'amagara y'abantu, nk'ishirahamwe rijejwe amagara y'abantu kw'isi, umuheri witaho imbabare, UNICEF hamwe n'abaganga batagira imbibe.

Kubwo ibiharuro vyatanzwe, abashika 260 nibo batowe korera ku mitumba ya Mvugo na Mugerama muri komine Nyanza, hamwe na 2 bemeza ko bitavye imana. Abandi bavuzwe ku mutumba Rutumo, muri komine Rumonge, bikemeza ko ikiza gitera cagura akarere.

Irandagata ahanini ryegekwa ku kunywa amazi mabi hamwe no ku kubura isuku hamwe n'isukura. Abarongozi b'isuku barasemerera kw'irandagata rinini rishobora kuba ku nkengera y'ikiyaga Tanganyika, aho abantu benshi baguma babeshwaho n'amazi y'ikiyaga canke y'amasoko adakingiye kubera kubura amazi meza. Mu gukomeza inyishu, umushikiranganji w'amagara y'abantu yarishikiye ku rubuga arikumwe n'abakozi hamwe n'abamufasha. Ikiduga ca CAMEBU ijejwe imiti, amapompo y'amaboko ashika kuri 150, imiti yo guhindura amazi hamwe n'ibikoresho vyo guhimiriza kw'isuku rusangi vyarazanywe.

Rusehabaniha 3 nazo zaremewe kugira hatezwe imbere kuguruza vyihuta abarwayi. Inama yarerekanye ko utuzu twa sugumwe two kw'ishure shingiro rya Mvugo hamwe n'udukoreshwa n'abarovyi turaje ishinga. Yategetse ko amazi y'ishirahamwe REGIDESO atangwa ukwayo ,kugira bakinge wandura bishoboka bijanye n'ikoreshwa ry'amazi y'ikiyaga Tanganyika, bafata ko atari ayo kunywa ari mabi.Gushika ubu, itangwa ry'amazi meza rikorwa n'ubufasha bw'abakingira abantu,mu kurindira ishirwaho ry'inyishu zirama.

Ibisabo bijanye no kuronka ibikoresho vy'isuku hamwe n'itangwa ryihuta ry'isabuni, kugira bashoboze abanyagihugu kubahiriza amategeko y'isuku shingiro, navyo nyene vyarashikirijwe n'abahaba.

### III.2.U BURENGANZIRA BW'INDERO

***Ukutamera neza kw'ikirasi c'umwaka w'7 kw'ishure shingiro Nkundusi ya komine Mwaro birahungabanya inyigisho kuri iryo shure,mu ntara ya Gitega***

Inkuru umuhari Iteka warose ku wa 4/12/2025 ivuga ko ikirasi c'umwaka w'7 kw'ishure shingiro Nkundusi ya komine Mwaro, intara ya Gitega, kitagira ibiyo ku madirisha ari ku mpande 2 z'ico kirasi. Hari ibisenge vy'ivyuma gusa. Ivyo bituma abanyeshura 30 bahiga bama mu muyaga,canke mu mbeho nyinshi iyo imvura iriko iragwa na cane cane ko iyo shure shingiro ya Nkundusi iri hagati y'ibisozi binini 2 : mu buseruko Gihinga(ihuza Mwaro na Kibimba ku burebure bwa km 30)hamwe no mu burengero igisozi kinini Gisase.

## *III. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA*

Umuhari Iteka uriyamiriza wivuye inyuma ukuntu agateka ka zina muntu kaguma gatituka mu Burundi kandi riratera ivyatsi ukudahana abakora amabi.Risaba abarongozi b'uBurundi gufata ingingo zose zishoboka kandi rihimiriza ibikurikira :

**Kuri Reta y'uBurundi :**

1. Gufata ingingo zo gukinga ubwicanyi buteguwe,nk'ubwo ukwihanira.

2. Kugira amatohoza ku bwicanyi, ivyo gutora ibiziga ku mwanya ku mwaya mu mihingo itandukanye y'igihugu hamwe no kumenya ababikora kugira ibahane hisunzwe itegeko.